**Enheten för flerspråkighet, EFF**

- Igisata kijejwe inyigisho z'ururimi rw'amavuko zitangwa mu mashure ya reta n'ayabigenga.
- Kwigisha ururimi rw'amavuko mu mashure y'intango n'ayisumbuye.
- Kwigisha ururimi rw'amavuko mu mashure y'abimenyereza.
- Gufasha abanyeshure bashasha mu bindi vyirwa hakoreshejwe ururimi rw'amavuko.
- Gufasha mu ntangamarara y'ururimi rw'amavuko .
- Gusuzuma ubumenyi bw' ururimi rw'amavuko.
- Gutanga ibibazo k'ubumenyi bw'ururimi.

**Enheten för flerspråkighet**
flersprakighet@uppsala.se
018-727 20 26
Uppsala kommun

# Inyigisho z'ururimi rw'amavuko.




flersprakighet.uppsala.se

Uppsala kommun

## Ninde yemerewe kwiga ururimi rw’amavuko?

Umunyeshure afise umuvyeyi avuga urundi rurimi atari igiswidi arashobora kwemererwa kwiga urwo rurrimi iyo:
*1. Uwo munyeshure arirwo avuga haba hanze canke imuhira, kandi*
*2.Ategerezwa kuba arufisemwo ubumenyi bw’intango muri urwo rurimi.*
Umunyeshure ategerezwa kuba avuga kandi yumva urwo rurimi. Icirwa gitangwa mu rurimi rw’amavuko hakurikijwe itunganywa rigenga inyigisho mu gihugu.

## Izindi ndimi zivurwa mu gihugu.

Muri Siwede hari izindi ndimi zikurikira: igifinilande, meankieli, igisami, ikiromani n’ikiyuda. Kugira wige urwo urimi,uterezwa kuba ufise amamuko yo muri iyo mirwi. Umunyeshure ntategerezwa kuba akoresha urwo rurimi imuhira canke ngo abe aruzi. Itunganywa z’ico cirwa riri mu buryo bubiri. Mu gusaba kwiga urwo ururimi n’ukumenyesha ko umunyeshure yari asanzwe aruvuga canke ariho agitangura.

Enheten för flerspråkighet (EFF) itunganya inyigisho z’ururimi rw’amavuko muri komine Uppsala.

## Ubumenyi bw’intango.

Harakenewe ubumenyi bw’intango mu rurimi rw’amavuko ku banyeshure bose kiretse abava mu mirwi y’abavuga izindi indimi. Umwigisha arasuzuma ko umunyeshure afise ubwo bubumenyi amashure agitangura, ingene arwumva akongera akaruvuga. Amakuru yerekeye ubumenyi bw’intango mu rurimi rw’amavuko ubisanga ku rubuga, EFF:s

## Ingene ico cigwa gisabwa.

N’umuvyeyi w’umunyeshure abisaba.Hari urupapuro rwo kuzuza asanga kw’ishure canke ku rubuga akarusinya. Umuyobozi w’ishure aca arwemeza hanyuma ishure rikarurungika kuri EFF, hatarenze igenekerezo rya 15 Ruheshi imbere yuko umwaka w’ishure utangura. Uwubisavye atevyye ntaheza ngo aronke ikibanza.

## Uko inyigisho zitunganijwe.

Muri Uppsaka ,inyigisho z’ururimi rw’amavuko ziba inyuma y’ibindi vyirwa vyo kw’ishure, kensi na kenshi ivyirwa biheze.Abanyeshure biga mu mashure yo kwimenyereza gushika mu mwaka wa 5, bigira ku mashure yabo. Kuva mu mwaka wa 6 gushika muwi 9, abanyeshure bahurira kw’ishure imwe baberetse, bakiga inyuma y’umutaga canke ku mugoroba. Umunyeshure niwe yishikana kuri iryo shure. Iyo adafise ikarata ya bisi, umwigisha wiwe aramuha agatike ka bisi.

## Ayandi makuru

Ku rubuga EFF:s mushobora kuhasanga ayandi makuru yerekeye iyigishwa ry’ururimi rw’amavuko muri komine Uppsala.
flersprakighet.uppsala.se

ENHETEN FÖR FLERSPRÅKIGHET